Ibibazo bikunzwe kubazwa vyerekeye ikiza kibangamira ukwitaho abana EBT (P-EBT) & Ukwitaho abana mu ci P-EBT

Umwaka w'ishure 2020-2021 (*Ruheshi 3, 2021)*

Ikibazo ca 1: Ukwitaho abana P-EBT ni iki?

Inyishu: Ni akarusho mfatakibanza ku mfungurwa kemewe na leta mugufasha imiryango ifise abana bari munsi y'imyaka 6 muri iki kiza ca COVID-19.

Ikibazo ca 2: Ni bande bemerewe kuronka uturusho two kwitaho abana P-EBT?

Inyishu: Ingo z'i Verimonti zironka uturusho 3SquaresVT hamwe n'abana bari munsi y'imyaka itandatu. Uturusho P-EBT two kwitaho abana tuzotangwa buri kwezi duhereye muri Gitugutu 2020 mpaka muri Ruheshi 2021 ku ngo zemerewe.

Ikibazo ca 3: Ukwitaho abana mu ci P-EBT ni iki?

Inyishu: Ukwitaho abana mu ci P-EBT ni ivyongewe k'uturusho two kwitaho abana birenze mu ci.

Ikibazo ca 4: Ni bande bemerewe kuronka uturusho two kwitaho abana P-EBT?

Inyishu: Ingo z'i Verimonti zironka uturusho 3SquaresVT hamwe n'abana bari munsi y'imyaka itandatu ahariho hose mugihe c'ici (Mukakaro na/canke Myandagaro 2021) bazoronka uturusho twose two kwitaho abana mu ci.

Ikibazo ca 5: Akarusho ka P-EBT ko kwitaho abana ni amahera angahe?

Inyishu: Akarusho ka P-EBT ko kwitaho abana kangana n'akarusho ka P-EBT ko kw'ishure ku biciro bivanze, kakaba karihwa amadorari 71.61 ku mwana kandi ku kwezi kuva muri Gitugutu 2020 gushika muri Ruhuhuma 2021. Ibiciro vyo kuva muri Ntwarante gushika muri Ruheshi 2021 biri hasi kubera igabanuka ry'ibiciro vya P-EBT vyo kw'ishure kuko amashure yasubiriye gukoresha uburyo bwo kwigisha abana ariho ubwabo bari mu gihe c'impeshi:

- Ntwarante amadorari 38.19
- Ndamukiza amadorari 37.51
- Rusama amadorari $33.42
- Ruheshi amadorari 30.69

Abana bemerewe kuronka akarusho ka P-EBT ko kwitaho abana bazoronka agahembo buri kwezi kuva muri Gitugutu 2020 gushika muri Ruheshi 2021, canke ukwezi kwa nyuma kwo kwiyandikisha muri 3SquaresVT ku ngo, igenekerezo iryariyo ryose riri hafi.

Ikibazo ca 6: Akarusho P-EBT ko kwitaho abana ni angahe?

Inyishu: Akarusho kose P-EBT ko kwitaho abana mu ci kangana n'ama dorari 375 kuri buri mwana. Bitandukanye n'akarusho ko kwitaho abana ka buri kwezi, akarusho P-EBT ko kwitaho abana mu ci ni akarusho gatangwa rimwe kahafata amezi yo mu ci yose Mukakaro na Myandagaro.

Ikibazo ca 7: Ni ryari uturusho twa P-EBT two kwitaho abana tuzotangwa?
Inyishu: Incuro ya mbere y'uturusho (kuva muri Gitugutu 2020 gushika muri Rusama 2021) tuzotangwa mu mpera za Mukakaro/mu ntango za Myandagaro 2021. Uturusho two muri Ruheshi 2021 tuzotangwa mu mpera za Nyakanga 2021, hamwe n'akarusho ka P-EBT ko kwitaho abana mu ci. Ayo magenekerezo ashobora guhinduka, turabinginze mubandanye kuraba kuri uru rubuga ibibazo bikunze kubazwa vyashizwe ku mwanya.

Ikibazo ca 8: Ni gute nobona ko urugo rwanje rwemerewe?
Inyishu: Igisata kijejwe serivise z'ubutunzi (ESD) kizoraba nimba umwana wawe yemerewe, hisunzwe ingingo ziri aho hejuru. Nimba wemerewe, uzoronka ikete rivuye muri ESD risigura gute hamwe na ryari uzoronka akarusho.

Ikibazo ca 9: Nimba twemerewe, ni gute tuzoronka ubwo burusho?
Inyishu: Uturusho P-EBT two kwitaho abana tuzotangwa hisunzwe ikarata EBT yatanzwe k'urugo rwawe ku karusho 3SquaresVT.

Ikibazo ca 10: Ububasha k'umwana wanje buri hagati y'ingo zibiri. Ni nde aronka akarusho?
Inyishu: Akarusho kazorungikwa k'uwukuze yashizwe k'urutonde rwa 3SquaresVT nk'umukuru w'urugo na ESD.

Ikibazo ca 11: Nogura iki n'aka karusho?
Inyishu: Raba urutonde rw'imfungurwa zemerewe k'urubuga ngurukanabumenyi rwa USDA.

Ikibazo ca 12: Ni hehe nokoresha ikarata yanje EBT?
Inyishu: Ushobora kuyikoresha mukugura imfungurwa ahariho hose bemera 3SquaresVT. Aha harimwo inzu zigurisha imfungurwa, inzu nini z'ibidandazwa, inzu zigurisha imfungurwa za leta, hamwe n'amasoko menshi y'abarimyi borozi b'i Verimonti. Iga vyinshi kuri DCF's urubuga rwa EBT.

Ikibazo ca 13: Ntabana mfise mu ngo zitaho abana bato. Noronka aka karusho?
Inyishu: Ego. Abana bose bari munsi y'imyaka itandatu kandi bariko baronka 3SquaresVT baremerewe.

Ikibazo ca 14: Ndafise abandi bana barenza imyaka itandatu. Boba bemerewe kuronka uturusho two kwitaho abana P-EBT?

Inyishu: Oya. Uturusho ni utw'abana bariko baronka 3SquaresVT kandi bari munsi y'imyaka itandatu. Turabinginze murabe ibibazo bikunze kubazwa vy'ishure kugira muronke ayandi makuru ajanye n'uturusho turiho kubw'imyaka y'abana b'ishure.

Ikibazo ca 15: Ni gute nimba ntakeneye aka karusho?

Inyishu: Ukwitabira ntagahato. Nimba uhisemwo kutitabira, ntukoreshe uturusho turenzeko twashizwe kukarata yawe 3SquaresVT EBT.

Ikibazo ca 16: Uturusho P-EBT twoba duta igihe nimba tudakoreshejwe?

Inyishu: Ego. Uturusho P-EBT tuzota igihe nimba ikarata idakoreshejwe muminsi 274.

Ikibazo ca 17: Ndafise ibibazo vyinshi. Ni hehe nomenya ayandi makuru?

Inyishu: Ja kuri https://dcf.vermont.gov/esd/covid19/P-EBT canke uhamagare 1-800-479-6151 kuri 7 kugira uronke ayandi makuru.

VERMONT
AGENCY OF HUMAN SERVICES
DEPARTMENT FOR CHILDREN & FAMILIES

VERMONT
AGENCY OF EDUCATION